Kontakt: Meinolf Wacker
Kirchplatz 7
59174 Kamen

Mobil.: +49-172-5638432
Mail: meinolf.wacker@go4peace.eu
Homepage www.go4peace.eu

Nzero 2023 *Kirundu*

Ntiwigera ugenda wenyene!

Ni mubimenye, jewe ndi kumwe namwe imisi yose Gushika ku muhero w'isi!!
(Matayo 28,20)

Bakunzi ba Go4peace,

Kw'itariki 3 Nzero 2021 habonetse inkuru ibabaje mu bakunda umuziki yavuga iti : Umuririmvyi rurangiranwa Gerry Marsden yitavye Imana. Uyo Marsden ni we yari yararimvye mu myaka ya 60 indirmbo yitwa „ You will never walk alone" (Ntuzokwigera ugenda wenyene), kandi icika rurangiranwa. Muri iki gihe, iyo ndirimbo barayiririmba mu bibuga vyinshi vy'inkino – eka na hafi ya hano muri „Boroussia" i Dortmund. Muti none ivyo vyaje gute? Mu kubitegera neza, n'ukumenya ko vyaturutse mu Bwongereza i Liverpool : mu myaka ya 60 hari mu kibuga c'inkino mu Bwongereza havugijwe umuziki rurangiranwa. Mu bakinyi harimwo umwe karuhariwe, inomero 1, yaririmbwe muri iyo ndirimbo y'umunya Liverpool „Band Gerry and the Pacemakers". Bariko barariimba, icuma gitanga amajwi caratemvye. Ariko bo babandanije kwiririmbira ata muziki urimwo, iyo ndirimbo : „ You'll never walk alone".

Iyo ndirimbo rero ya Richard Rodges (umudiho) na Oscar Hammerstein (amajambo), mu tango yari umusozo w'indirimbo karuhariwe ya Broadway-Musical Caroussel mu mwaka w'1945. Muri yo havugwa inkuru y'umukozi yakwara inkorofani, kubera ubukene akama yiba hose kugira ngo ashobore muri kazoza gutunga umugore wiwe be n'umwana bari bimirije kwibaruka, maze biba mbere ari vyo bihitana uyo mugabo. Iyo ndirimbo rero „you'll never walk alone" yaririmbwe mu muziki icuro zibiri – ubwa mbere mu kuremesha umugore kubera urupfu rw'umugabo wiwe, ubwa kabiri mu gusozera, mu musi mukuru wo guheza amashure y'umwigeme wabo yari amaze imyaka 15. Urwo ruririmbo rero rwerekeye kwama urabana umwizero kazoza, mu bibabaza bigushikira vyose.

Ntiwigera ugenda we nyene! Iryo jambo ni ryo na Yezu yabwiye abigishwa biwe. Mu musozo w'inkuru nziza ya Matayo handitswe ngo. „ Mubimenye, nanje ndi kumwe namwe imisi yose gushika ku muhero w'isi!". Ingene Imana ibigira, ntibihengeshanya kudutangaza. Umwirize namwe ibi vyashitse: Hari umurwi w'imiyabaga 25 yo muri Ukraine yari inshirwarimenetse. Niho niyumvamwo iciyumviro co kubatumira, tuje kurya ibarafu isosa. Ngize ngo ndaraba mu mufuko, nsanga nta mahera mfise akwiye yo kubagurira bose ngo bakwirwe. Ariko nari namaze kubatumira. Niho nibuka rya jambo ngo : tanga niho bazobaha. Numva umwizero ko mbwirizwa kubigira. Dufata reo akayira tuja kubigura. Duteye mu nzira mpwana n'umuntu. Abona abo bantu bose bava muri Ukraine, nza mbona amfumbatishije ama euro 50. Dusezerana dutwenga. Dushitse aho tubigurira, mbona umunyokuru. Yarahimbawe no kubona uyo murwi w'imvamakungu, aca aza angana yishimikije agakinga k'abasaza kamufasha gutambuka, mbona nawe ampaye ayandi ma euro 50. Natamariwe ndaheza nerekeza amaso kw'ijuru. Noneho ubu amahera ya bose yari akwiye.! **Ntiwigera ugenda we nyene!- You'll never walk alone!**

Kubwa go4peace Meinolf Wacker